1.000 FBU



# RUMURIKIRANGABO

## MENSUEL

N^O 165 IKINYAMAKURU C'INTWARAMIHETO Z'UBURUNDI Ruhuhuma 2024






# Iyinjira ry'inyubakwa y'icicaro gikuru ca CECADM

P.2





## Kugira abasirikare abanyamwuga babushitse ni kimwe mu migambi nyamukuru y'igisirikare

P5

## Igisirikare cinjiza abarundi bavyipfuza kandi babishoboye

P4

Ministère de la Défense Nationale et des Anciens Combattants,Avenue Ngendandumwe
Tél : (257)22 55 22 41 - (257) 22 24 30 54 - Fax : (257) 22 22 41 52 . E- mail : rédactionbcom@gmail.com
Site web : www.mdnac.bi

# Iyinjira ry'inyubakwa y'icicaro gikuru ca CECADM

**Uruganda rw'ikinyamakuru**

Uwurongoye Ikinyamakuru

**Gén-Bde BARATUZA Gaspard**

Uwurongoye Uruganda

**Lt-Col GAHONGANO Emmanuel**

Umunyamabanga

**Maj NGEZAHAYO Serge**

Icegera c'umunyamabanga

**Maj NGENZEBUHORO Alice**

Uwuhinyanyura ikinyamakuru

**Maj NDAYIZIGIYE Fidèle**

Abanditsi

**Lt-col HAKIZIMANA Prosper**

**MAJ NDAYISABA Roger**

**MAJ CIZA Anatole**

**Maj MANIRAMBONA Diomède**

**Maj NININAHAZWE J.M.V**

**MAJ MANIRAKIZA Oscar**

**Capt NZAMBIMANA Norbert**

**Capt NTAKARUTIMANA Ruth**

**Capt HABOGORIMANA J.B**

*Inyubakwa y'icicaro gikuru c'ishirahamwe ryo kuziganya no kuguranana mw'iterambere ry'abasirikare (CECADM) yaruguruwe ku mugaragaro kw'igenekerezo rya 22 ruhuhuma 2024 n'umukuru w'igihugu c'Uburundi, Jenerari Majoro Ndayishimiye Evariste. Mw'ijambo nyamukuru, umukuru w'igihugu c'Uburundi yahamagariye abarundi bose kugwiza umwimbu no kuziganya kugira dushikire ya mbono ya kazoza ya Leta, Uburundi bwifashe mu 2040, hanyuma buteye imbere mu 2060.*

Ishirahamwe ryo kuziganya no kuguranana mw'iterambere ry'abasirikare (CECADM) ryavutse mu 2007, rikaba ryahora rikorera mu nyubakwa z'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi, ryaruguruye kumugaragaro inyubakwa yaryo nshasha iri ku cicaro gikuru c'iryo shirahamwe kw' igenekerezo rya 22 ruhuhuma



*Ishirahamwe CECADM riraterera mw'iterambere ry'igihugu*

2024 n'umukuru w'igihugu c'Uburundi , Jenerari majoro Ndayishimiye Evariste. mw'ijambo nyamukuru, umukuru w'igihugu c'Uburundi yarakeje abatanguje iciyumviro co kushinga iryo shirahamwe CECADM hamwe n'abagiye baraterera bose kugira rishike ku ntambwe rigezeko. Umukuru w'igihugu yarashimiye cane cane uwahoze ari umushikiranganji w'ukwivuna abansi n'ukwitaho abahoze ku rugamba, Riyetena Jenerari Niyoyankana Germain muri kino gihe ari mu karuhuko k'izabukuru, kubera ariwe yatanguje iciyumviro ciza co gushinga iryo shirahamwe mu 2007.

**Kwiyubakira inyubakwa, ni kimwe mu biranga intwaro ibereye muri CECADM**

Umushikiranganji w'ukwivuna abansi n'ukwitaho abahoze ku rugamba, Ir Mutabazi Alain Tribert nawe yarashimiye umukuru w'igihugu ko yishikiye kwugurura inyubakwa y'icicaro gikuru ca CECADM naho asanzwe afise amabanga menshi n'ibikorwa vyinshi. Yaciye akeza abakozi bose ba CECADM ahereye ku ndongozi ku ntambwe nziza bagezeko. Ati ivyo mwaranguye nivyo gukenguruka. Umushikiranganji Mutabazi yarabateye intege abifuriza gutera baja imbere nk'umuzinga, aca abasaba guterera no mu bindi bisata nko mu gisata c'indero, c'amagara y'abantu eka n'ibindi. Umushikiranganji w'ukwivuna abansi n'ukwitaho abahoze ku rugamba yamenyesheje ko ishirahamwe CECADM, mu kwiyubakira inyubakwa nziza n'uburyo bwayo ata deni risavye ari kimwe mu biranga intwaro ibereye mur'iryo shirahamwe CECADM.

**CECADM iraterera biboneka mw'iterambere ry'igihugu**

Umuyobozi mukuru w'ishirahamwe CECADM, Riyetena koroneri Iradukunda Jean Marie, mw'ijambo ry'ikaze yaragaragaje umunezero. Ati : n'iteka kuri CECADM, ni iteka ku rwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi, mbere ni iteka ku gihugu c'Uburundi. Ku vyerekeye ivyaranguwe, umuyobozi mukuru wa CECADM yamenyesheje ko ishirahamwe ryavutse mu 2007 rikaba ryatanguranye umutahe ungana n'imiyalidi zitatu n'imiliyoni amajana abiri na mirongo itatu n'umwe n'ibihumbi amajana atatu na mirongo irindwi na bine (3.231. 374.000 FBU), ico gihe rikaba ryari rifise abanywanyi igihumbi n'amajana ane na babiri (1402 membres). Muri kino gihe, ishirahamwe CECADM rikaba rifise umutahe ungana n'imiriyalidi ijana na mirongo itanu na zitandatu (156 milliards) n'abanywanyi bari hafi ibihumbi mirongo itanu (à peu près 50. 000 membres). Ku vyerekeye ico CECADM ifasha abanywanyi, Umuyobozi mukuru wa CECADM yamenyesheje ko itanga ingurane zitandukanye, aha twovuga ingurane kubagomba kugura ibikoresho vy'ishure , ingurane yo ku mezi atatu hamwe n'ingurane ku myaka itanu ku banywanyi bagomba kwiteza imbere.

Kuvyerekeye imigambi ya kazoza, umuyobozi mukuru wa CECADM yamenyesheje ko igomba kujana n'ibihe. Ati mu gushiraho urubuga rwa internet www.cecadm.bi, CECADM iriko irashiraho ubuhinga bwitwa « onlinebank ». Ishirahamwe CECADM ririko kandi rirashiraho ubuhinga bwitwa « Mobile banking » mu kugiriranira amasezerano n'ishirahamwe lumitel. Ivyo bituma umunywanyi abikije canke abikuye amafaranga kuri konte yiwe , aca aronka ubutumwa bugufi kuri telephone yiwe ngendanwa bumumenyesha ikibaye kuri konte yiwe. Mu minsi yavuba naho abanywanyi bazohora babitsa canke babikura amafaranga yabo bakoresheje ama telephone yabo ngendanwa. Mu ntumbero yo kworohereza abanywanyi CECADM yarashizeho kandi Guichet ikora umwanya wose n'inyuma y'amasaha y'akazi k'uwugomba kubika canke kubikura amafaranga. Ingurane ku banywanyi kugira bashobore kwiyubakira amazu hamwe no kubaka amashure matomato na kaminuza biri mu migambi ya kazoza y'ishirahamwe CECADM.

Mu gushima , Ishirahamwe CECADM, ryaragabiye umukuru w'igihugu c'Uburundi inyana z'ishashi zibiri , imwe yitwa « Ya rugamba » kubera umukuru w'igihugu ariko aragwana urugamba rwo gutsinda ubukene , n'iyindi yitwa « ya Rukundo » kubera urukundo umukuru w'igihugu akunda abarundi mu kubategurira imigambi yo kwiteza imbere.

***Maj NGEZAHAYO SERGE***

# Ibice mirongo icenda kw'ijana ni vyo vyaranguwe mu gice ca kabiri c'amezi atatu

***Umushikiranganji w'Ukwivuna Abansi n'Ukwitaho abahoze ku Rugamba yarahaye ikiganiro abamenyeshamakuru aho yashikirije icegeranyo c'ivyaranguwe mu gice ca kabiri c'umwaka w'2023 ushira uw'2024 w'ikoreshwa ry'amafaranga ya Reta. Ivyo yashikirije, bishimikiye ahanini kuvyerekeye gutsimbataza umutekano, intwaro ibereye, gukomeza ubushobozi bw'inzego n'ubwo kurangura imigambi hamwe no gutunganya neza ibijanye n'abahoze ku rugamba, eka n'ibindi.***





*Ivyaranguwe mu gice ca kabiri c'umwaka birashimishije*

Hari kw'igenekerezo rya 19 Nzero umwaka w'2024 aho abamenyeshamakuru baba abakorera Reta canke abigenga basidukana n'iyonka baja ahakorera Ubushikiranganji bw'Ukwivuna Abansi n'Ukwitaho Abahoze ku Rugamba bagenzwa n'ikintu kimwe rudende : gutororokanya amakuru ajanye n'icegeranyo c'ivyaranguwe mu gice ca kabiri c'umwaka w'ikoreshwa ry'amafaranga ya Reta w'2023 ushira uw'2024. Umwaka w'ikoreshwa ry'amafaranga ya Reta ugizwe n'amezi cumi n'abiri, ugatangurana n'ukwezi kwa Mukakaro, bikumvikana ko igice ca kabiri kigizwe n'amezi ya Gitugutu, Munyonyo na Kigarama. Mu bice bine bigize umwaka w'ikoreshwa ry'amafaranga ya Reta, kimwe cose kigizwe n'amezi atatu na we Umushikiranganji Alain Tribert Mutabazi akaba atigera asiba kumenyesha ivyaranguwe uko amezi atatu arangiye. Mu bisanzwe, hisunzwe ibiri mu ngingo ya 25 y'itegeko ry'Umukuru w'igihugu inomero 100/007 ryo ku wa 28 ruheshi, umwaka w'2020, ubushikiranganji buramenyesha ivyo bwaranguye uko amezi atatu aheze bubicishije mu nsamirizi, ku mboneshakure no mu bindi bimenyeshamakuru.

Mu gice ka kabiri rero, icegeranyo c'ivyaranguwe cari gishimishije cane mbere Umushikiranganji Mutabazi akaba yashikirije ko ivyaranguwe bishika ku bice mirongo icenda kw'ijana vy'ivyari vyarategekanijwe. Ku bijanye no gutsimbataza umutekano, naho hari ubugizi bwa nabi bw'iterabwoba bwabaye ihitwa i Vugizo mu Gatumba kandi Umushikiranganji Mutabazi akaba yarabwiyamirije yivuye inyuma, umutekano wagumye wifashe neza mu gihugu muri ayo mezi atatu turiko turavuga kanatsinda intwaramiheto z'Uburundi zagumye zirikanuye kugira ziteshe hakiri kare uwo wese yoba afise agatima ko guhungabanya umutekano w'igihugu. Gukomeza indero ya gisirikare (discipline militaire) vyagumanye ikibanza gikomeye kuko ni muri iyo ntumbero abarongoye abandi bagendeye abasirikare mu gihugu cose. Umushikiranganji Mutabazi yarabonaniye ku Muzinda n'abaserukira abandi mu karere ka mbere ka gisirikare nayo Umukuru w'Urwego rw'Ukwivuna Abansi rw'Uburundi akaba yaragize urugendo mu turere twose twa gisirikare kugira yibonanire n'abasirikare. Imyimenyerezo harimwo n'iyitegurira intwaramiheto gukinga no kurwanya iterabwoba yarakozwe. Gufashanya mu vya gisirikare navyone vyarashimangiwe kubera ingendo zagizwe hamwe no guha imibonano abaserukira ibihugu n'amashirahamwe bitandukanye.

Mu bijanye no gutsimbataza intwaro ibereye; Umushikiranganji Mutabazi yarashikirije ivyaranguwe mu bushikiranganji arongoye mu mwaka w'2023 igihe inzego z'Ukwivuna Abansi n'iz'Umutekano zari ziramutse zifuriza Noweri n'Umwaka mushasha w'2024 umuryango wa Nyenicubahiro Umukuru w'iguhugu cacu kw'igenekerezo rya 22 Kigarama umwaka w'2023 i Gitega. Inama zitari nke n'ibindi bikorwa vyaratunganijwe mu bushikiranganji no mu Rwego rw'Ukwivuna Abansi rw'Uburundi kugira bakomeze intwaro ibereye no kwisunga wa mugambi wo kuroranya ibikorwa n'uburyo bwategekanijwe witwa Plan de Travail et Budget Annuel (PTBA)

Mu vyerekeye gukomeza ubushobozi bw'inzego n'ubwo kurangura imigambi n'ibindi bikorwa vyategekanijwe, Ubushikiranganji bwarabandanije gushira inguvu kubijanye no kurondera ibikoresho vya kijambere, kubandanya kwubaka no gusubiramwo inyubakwa eka no gukarihiriza ubwenge abarisirikare mu buhinga butandukanye.

Nayo ivyerekeye gukomeza ubushobozi bwo kubungabunga ubutunzi hamwe no gukabura ingendo yo gutegura imigambi no gushikiriza ivyaranguwe, inyigisho zijanye no gutegura imigambi no kubungabunga ubutunzi zaratanzwe kugira bashike ku rugero rushimishije. Umushikiranganji Mutabazi yarashimye ingene Reta yongerereje uburyo ubushikiranganji arongoye kandi uburyo buhari bwarakoreshejwe neza bagirako banakora ibikorwa vyo guterera mw'iterambere biciye mu burimyi, ubworozi bw'inka, ingurube n'inkwavu hamwe rero no gukingira ibidukikije.

Ibikorwa vyo gushigikira abahoze ku rugamba na cane cane abagendana ubumuga vyarabandanije nko mu kubavuza. Hambavu y'ivyo, gukorana n'amakoperative y'abahoze ku rugamba vyarabandanije mbere inkwavu amajana ane na mirongo umunani (_480) zarahawe abahoze ku rugamba bashika amajana abiri na mirongo umunani (280) bahurikiye muri koperative Jimbere ahitwa i Bandaga muri komine Matongo.

Mu ntumbero yo gukomeza iterambere ridakumira, abasirikare barabandanije guhimiririzwa ku bijanye no kurwanya amabi afatiye ku gitsina. Intwazangabo mirongo ine nazo zikora mu gisata kijejwe gutunganiriza abakozi bararonkejwe inyigisho nkarishabwenge zijanye no kwitwararika iterambere ridakumira. Vyongeye, abasirikare b'abakenyezi ntibigeze bibagirwa haba mukugenwa mu mabanga, eka mbere no mu bindi bikorwa vyose vyagiye birategurwa haba mu bushikiranganji canke mu Rwego rw'Ukwivuna Abansi rw'Uburundi.

Umushikiranganji Alain Tribert Mutabazi yarangije gushikiriza icegeranyo c'ivyaranguwe yerekana intambamyi zagiye ziribonekeza, nk'abagwizatunga bamwe bamwe baba baraguzeko ibikoresho ariko bagateba kubibashikiriza, uburyo usanga butagikwiye kubera guhindagurika kw'ibiciro ku masoko hamwe rero n'uguteba mw'itangwa ry'amasoko no gusohora amafaranga na cane cane muri wa mugambi wo kugurira hamwe ibikoresho witwa Marchés Groupés. Yaranshimiye abantu bose bagize uruhara mu gushira mu ngiro imigambi yari yarategekanijwe mbere aboneraho n'akaryo ko kubatera akamo kugirango bongereze inguvu mu gushira mu ngiro imigambi yose yategekanijwe mu bice bibiri bisigaye vy'uyu mwaka w'ikoreshwa ry'amafaranga ya Reta.

***Lt- Col PROSPER HAKIZIMANA***

# Iyinjizwa ry'imikangara mishasha mu rwego FDNB

***Ku ruhusha rw'Umukuru w'igihugu c'Uburundi akaba na kizigenza w'Urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi, Urwego FDNB rwaratunganije, kuva kw'igenekerezo ry'9 kigarama 2023, ibikorwa vyo gukoresha ibibazo ku mikangara mishasha yipfuza kwinjira muri FDNB mu mice yose igize urwo rwego. Ibibazo ku biyandikishije bikaba vyakorewe ku migwa mikuru y'intara zose zigize igihugu c'Uburundi.***

Ukwinjiza abakozi bashasha mu nzego zitandukanye ni ikintu gikomeye cane. Bituma izo nzego zironka imikangara ibishoboye kugira ngo zishike ku ntumbero zayo hamwe no gusubiriza abaja muzabukuru buri mwaka. Ni muri iyo ntumbero Urwego rw'Ukwivuna abansi rw'Uburundi rutunganya ibikorwa vyo gukoresha ibibazo, hinjizwe imikangara mishasha kugira ngo ruronke abasirikare bakiri bato kandi bakerebutse bashoboye kurangura uko bitegerejwe ubutumwa urwego FDNB rufise bwo gukingira imbibe z'igihugu, ukwikukira n'ubwigenge bw'igihugu c'Uburundi.

### Ikibazo c'ukwandika nic'ukwinonora imitsi akaba arivyo vyari bigize amahiganwa

Ku muce w'intwazangabo, imikangara ingana 874, abakobwa 94 na 2 bo mu bwoko b'abatwa barakoze ikibazo c'ukwandika n'ukwinonora imitsi. Ikibazo c'ukwandika kikaba cari kigizwe n'ikibazo c'ibiharuro, icongereza nic'igifaransa. Ikibazo c'ukwinonora imitsi kikaba cari kigizwe n'ugusiganwa ku birometero 6 ku bahungu n'ibirometero bitatu ku bigeme. Ivyo bibazo bikaba vyakorewe ku migwa mikuru y'intara zose z'Uburundi. Ku bisongerezi vy'intwazangabo hakoze 1771, abigeme 280 n'abatwa 20. Ku basoda batobato, imikangara 5135, abigeme 631 n'abatwa 82 nibo bakoze ibibazo mu ntara zose.

### Kubera iki hari icigwa c'ibiharuro mu gisirikare ?

Umwigisha w'icigwa c'ibiharuro mw'ishure kaminuza mu ntwaramiheto Iscam, umwe mu bigisha batoye ikibazo c'ukwandika, umukukuruke Koroneri Masare Jonas, yamenyesheje ko ibiharuro bikenewe ahantu hose. « Ku basirikare, icigwa c'ibiharuro ni icigwa gifise akamaro gakomeye. Kugira ngo umusirikare arase neza, ageme, ategerezwa kuba azi ibiharuro bijanye na Trigonometrie na géométrie. Mu bijanye n'ugutunganya ivy'ubutunzi, utegerezwa kuba ufise umushinge ukomeye mu bijanye n'ibiharuro. Ntakintu na kimwe ushobora gukora udakoresheje ibiharuro. Nivyo ntango y'ibindi vyigwa vyose. Ibiharuro bikenewe mu bisata vyose », nk'uko Masare yabandanje abimenyesheje. Yaciye aboneraho akaryo ko guhamagarira abajejwe indero gushira inguvu ku cigwa c'ibiharuro no kwongereza amasaha y'ibiharuro mu mashure nshingiro kubera ibiharuro bikenerwa ahantu hose, mu bisata vyose.

### Igitigiri c'abiyandikishije kirashimishije

Uwahoze ari umuvugizi w'Urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi Koroneri Biyereke Floribert yamenyesheje abamenyeshamakuru ko igitigiri cabiyandikishije bipfuza kwinjira mu rwego FDNB gishimishije. Ku kibazo co kumenya ko uburongozi bushimishwa n'ibitigiri biriko biriyandikisha buravye abiyandikishije mu myaka iheze, yabishuye ko atakugereranya ibitigiri vy'abiyandikishije ufatiye ku myaka iheze, ati vyose biva ku ntumbero uburongozi bufise hamwe n'igitigiri gikenewe kwinjizwa. Ati : « Turavye neza igitigiri c'abiyandikishije uyu mwaka, turabona neza ko igitigiri c'abazokwinjira gikenewe kizoboneka. »

Imikanga y'intwazangabo bakaba baramaze kwinjira mw'ishure kaminuza ry'intwazangabo mu ntwaramiheto Iscam, bakaba baratanguye inyigisho za gisirikare. Iyo mikangara ikaba iri mu mugwi wa 53 mu rukurikirane rw'intwazangabo zaciye muri Iscam.

***Maj ALICE NGENZEBUHORO***




*Iyinjizwa ry'imikangara mishasha mu gisirikare ryabaye mu muco ntangere*

# Ibice 94% vy'intwazangabo za ECBEM bararonkejwe impapuro zirangiza inyigisho

***Urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi rwarihaye intumbero yo gukarihiriza ubwenge abagize urwo rwego na cane cane ku ntwazangabo. Ni muri iyo ntumbero intwazangabo mirongo itatu zahejeje ishure ryigisha intwazangabo kurongora amakambi no gukora mu biro vy'ama Birigade, baronkejwe impapuro zirangiza inyigisho. Izo nyigisho zikaba zarangiye igenekerezo rya 31 Nzero 2024 kw'ishure rya ECBEM riri mu Kinanira IV.***

Ibirori vyo gusozera inyigisho zari zimaze ikiringo c'amezi atanu, vyari bihagarikiwe n'umukuru w'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi, Jenerari Prime Niyongabo. Akaba ashimira Reta y'Uburundi ingene idahengeshanya gushikira igisirikare c'Uburundi na cane cane mu gisata co gukarihiriza ubwenge intwazangabo eka n'abasirikare muri rusange kugira igisirikare c'Uburundi kibe kigizwe n'abasirikare bafise ubumenyi buhagije bigatuma kiba rurangiranwa mu makungu.



Intwazangabo mirongo itatu zararonkejwe impapuro zirangiza inyigisho

Kubwa Jenerari Prime Niyongabo, inyigisho zironswa intwazangabo mu kigo ECBEM zifise akamaro kanini cane kuko zifasha intwazangabo kuronka ubumenyi buhagije bituma arangura ibikorwa neza ahabwa n'abamurongoye. Yasavye intwazangabo zirangije inyigisho kuba indangarugero, gushira bahawe n'ababarongoye. Akaba yarangije ijambo ryiwe amenyeshako urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi ruzokwama na ntaryo rushigikira ishure mu kurironsa ivyo bakeneye vyose, vyaba ibikoresho, abigisha babishoboye kugira ishure ryame riramura intwazangabo zifise ubumenyi buhagije.

Uwurongoye Ishure rikarihiriza ubwenge intwazangabo zitegurira gutwara amakambi no gukora mu biro vya Birigade, ra abarimu kukwitanga kubaranga kugirango intwazangabo ziba zije kwiga zihakure ubumenyi buhagije. Aranashima ingene abaronkejwe ivyigwa bagiye barigenza, inyifato yabo akaba abonako iri mu vyatumye umwimbu uba mwiza cane.

Mwomenya ko ibirori vyo gusozera ivyigwa ku mugwi ugira cumi vyaranzwe n'intambo zitandukanye. Ikindi n'uko intwazangabo zine zoronkejwe udushimwe



Inyigisho ni kimwe mu bigize ihangiro ry'igisirikare c'Uburundi

mu ngiro inyigisho baronse kugira bifashe abasirikare mu kazi kabo. Ikindi yabasavye ni gukunda no gukundisha igihugu abasirikare, bakamenyera gukorera hamwe no gukora neza igikorwa baba Koroneri Nkurunziza Giriberi arashimishwa n'umwimbu umugwi ugira icumi wa ECBEM waronse. Izo ntwazangabo zikaba zamenye ku rugero rw'ibice mirongo icenda na bine kw'ijana. Arashimihisunzwe abarushije abandi hamwe n'intwazangabo yigenjeje neza.

***Maj OSCAR MANIRAKIZA***

# Isabukuru ya mbere y'abana batandatu bibarutswe n'umuvyeyi umwe ku munsi umwe

***Ibitaro vy'abasirikare vyo mu Kamenge vyarahimbaje, ku wa 13 kigarama 2023, isabukuru ya mbere y'ivuka ry'abana batandatu bavukiye rimwe ku mugore umwe muri ivyo bitaro. Umunyamabanga ntayegayezwa mu bushikiranganji bw'ukwivuna abansi n'ukwitaho abahoze ku rugamba, koroneri Barumpishe Jean Marie yari yateye iteka ivyo birori yarashimiye abitanze bose kugirango barokore ubuzima bw'abo bana na nyina wabo.***



*Ibitaro vy'abasirikare vyo mu Kamenge vyakoze igikorwa kidasanzwe mu kwakira abana batandatu bavukiye rimwe*

Umwaka urarangiye, abana batandatu bavukiye rimwe ku mugore umwe mu bitaro vy'abasirikare mu Kamenge. Abo bana bavutse kw'igenekerezo rya 24 kigarama 2022. Abakozi bo muri ivyo bitaro baritanze bikomeye kugirango barokore ubuzima bw'abo bana na nyina wabo, naho babiri muribo bahavuye bitaba Imana.

Umunsi ivyo bitaro bihimbaza isabukuru ya mbere y'ivuka ry'abo bana, Umunyamabanga ntayegayezwa mu bushikiranganji bw'ukwivuna abansi n'ukwitaho abahoze ku rugamba Koroneri Jean Marie Barumpishe yarakeje abakozi b'ivyo bitaro ku gikorwa c'iteka bakoze mu kuvura abo bana n'umuvyeyi wabo. Yarakeje n'abavyeyi b'abo bana bashobora kurera abana nkabo bavukiye rimwe, kuko ari igikorwa kitoroshe ku muryango umwe. Koroneri Barumpishe yarashimiye kandi ishirahamwe mpuzamakungu rijejwe amagara y'abantu ku kugene yitayeho abo bana n'uwo muvyeyi : « Turibuka igihe uwuserukira ishirahamwe mpuzamakungu ry'amagara y'abantu mu burundi yagendera ibi bitaro igihe aba bana bari bahejeje kuvuka kugira mwibonere ivyo bakeneye. Mwaciye mwihutira gutanga ibikoresho bitari bike kugira abo bana bitabweho », nk'uko umunyamabanga ntayegayezwa yabishikirije. Yarongeye arashikiriza ko ubushikiranganji bw'ukwivuna abansi n'ukwitaho abahoze ku rugamba, bwiyemeje kubandanya bufasha ibitaro vy'abasirikare vyo mu kamenge, kuko bisanzwe ari bimwe mu vyo ubushikiranganji bukoresha kugirango buterere mw'iterambere ry'igihugu. Kanatsinda, abenegihugu badafise amagara meza ntiboshobora kuja ku kivi.

Umukuru w'ibitaro vy'abasirikare vyo mu kamenge, Jenerari de Brigade Nimburanira Marc na we nyene mw'ijambo yashikirije, yarashimiye ishirahamwe mpuzamakungu rijejwe amagary'abantu ku mfashanyo itagira uko yovugwa ryatanze. « Ihimbazwa ry'isabukuru ya mbere y'ivuka ry'abana batandatu, n'akaryo keza k'ukwibuka ukuntu ishirahamwe mpuzamakungu rijejwe amagara y'abantu ryaturemesheje rikaduha n'ibikoresho mu bihe bitari vyoroshe, aho ibi bitaro vyari bihejeje kwakira umuvyeyi yibungenze abana batandatu, akaba ari igikorwa ibi bitaro bitari bw'igere bikora kandi bitari biniteguriye haba ku vyerekeye ibikorsho canke abakozi » ; nk'uko muganga Nimburanira Marc yabishikirije. Yarashimye bivuye ku mutima utwigoro twose twakozwe n'ishirahamwe mpuzamakungu rijejwe amagara y'abantu mu gufasha ivyo bitaro, muri ivyo bihe bitari bimwnyerewe. Jenerari de Brigade Nimburanira Marc yarashimiye kandi Reta y'Uburundi, n'ishirahamwe Umugiraneza, abakoze b'ibitaro vy'abasirikare, hamwe n'abandi bagiraneza baterereye uburyo bwabo n'ibikoresho kugirango barokore ubuzima bw'umuvyeyi n'abana yibarutse.

Uwuserukira ishirahamwe mpuzamakungu rijejwe amagara y'abantu mu Burundi, Muganga Xavier Crespin nawe yarakeje imirwi y'abaganga bakora mu bisata bitandukanye vy'ibitaro vy'abasirikare, na cane cane abaganga b'abana, abaganga b'abakenyezi, abakirizi, abaforoma, ndetse n'abandi babunganira, ku gikorwa kidasanzwe bakoze kugira barokore ubuzima bw'umuvyeyi n'abana yibarutse. « N'igikorwa kidasanzwe c'ukwitanga, twibutse ukuntu abo bana bavutse hataragera, bafise ibiro bike. Ndabakeje ubugira kandi, kandi turabateye intege kugira mubandanye iyo nzira y'ugukorana ishaka ridasanzwe »; nk'uko uwuserukira ishirahamwe ry'amagara mpuzamakungu ry'abantu mu Burundi yabishikirije.

Umuvyeyi yibarutse abo bana batandatu Mugishawimana Johari, yarashimiye cane abakozi b'ibitaro vy'abasirikare vyo mu kamenge bitaye ku rutare kugira barokore ibibondo vyiwe. Yarashimiye na Reta y'uburundi n'umutambukanye w'umukuru w'igihugu c'Uburundi Angeline Ndayishimiye, ku kugene bakoze ibishoboka kugira arokoke hamwe n'abo bana.

Kuri uwo munsi hahimbazwa isabukuru y'ivuka ry'abo bana, ishirahamwe mpuzamakungu rijejwe amagara y'abantu mu Burundi ryarashikirije ibitaro vy'abasirikare vyo mu kamenge ingabire y'ibikoresho vyo kwa muganga bigenewe akibanza kigwariramwo utuyoya, ryongera rirashikiriza n'icuma cagenewe guturira imicafu.

*Lt-Col GAHONGANO EMMANUEL*

# Ikigo gisohora ibitabo c'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi gifise abakozi b'abahinga

*Intwazangabo zine n'ibisongerezi umunani bararonkejwe impapuro z'umutsindo kw'igenekerezo rya 9 nzero 2024, aho bari barangije inyigisho zamaze amezi atatu kuvyerekeye gukoresha imashine zo mur'ico kigo gisohora ibitabo. Icegera c'umukuru w'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi, Riyetena Jenerari Habimana Jean Paul ari nawe yari yateye iteka ivyo birori, yamenyesheje ko kubona haragiyeho ico kigo caje gutorera umuti kuvyerekeye amafaranga y'umurengera yahora akoreshwa mu gusohora inyandiko mu bigo vy'abigenga.*

Mu ntumbero zo guterera mw'iterambere ry'igihugu, urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi rurafise ikigo gisohora ibitabo n'izindi nyandiko zitandukanye. Intwazangabo zine n'ibisongerezi umunani bararonkejwe



ikigo kije gutora umuti w'amafaranga y'umurengera yahora akoreshwa mu gusohora ivyandiko mu bigenga

converter Burundi ). Icegera c'umukuru w'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi , Riyetena Jenerari Habimana Jean Paul yararongoye ivyo birori, yamenyesheje ko ico kigo kiza carataguye gukora caje hageze , kuko ico kigo kizotuma urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi rutanga amakuru haba kubarugize eka mbere n'abandi batari muri urwo rwego. Ivyo bikazoba biciye muri ca kimenyeshamakuru Rumurikirangabo , mu bitabo , mu vyegeranyo , mu makarata y'ubutumire , ku bicapo bitandukanye bizokorwa n'ico kigo c'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi mu kiringo gito kandi ku giciro kitavuna.

giciro ciza. Ico kigo kandi kizosohora n'ibindi bitari bike aha twovuga nk'udutabu ndangaminsi mu mwaka , ivyo vyose bizotuma ico kigo c'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi gishobora kubiha abavyifuza

kwigishirizako , amakarata ya gisirikare eka n'ibindi tutibagiye ivyo abanyeshure bazoba banditse , abimenyereza canke ibitabo abigisha bazokoresha , ivyo vyose bikazokorwa ku bose kandi ku giciro ciza kitavuna.

Icegera c'umukuru w'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi , Riyetena Jenerari Habimana Jean Paul yaciye aboneraho akanya ko gushimira igisata kijejwe imigenderanire hagati y'abasirikare n'abenegihugu (G9) , ingene ciyumviriye umugambi wo gushiraho ico kigo c'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi. Yarakeje kandi intwazangabo n'ibisongerezi zari zihejeje kuronka impapuro z'umutsindo ku bwira n'umwete vyabaranze mu gukurikirana izo nyigisho z'ubuhinga.

Ntiyibagiye kandi gushimira ishirahamwe PACOBU ryatanze i mashine nshasha kandi zigezweho, hanyuma rikigisha n'intwazangabo n'ibisongerezi, bazokoresha izo mashine. Yasavye uwuserukira ishirahamwe PACOBU kwama na ntaryo rifashanya n'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi kugira ico kigo kibandanye gikora neza . Yarasavye kandi igisata kijejwe ibikoresho n'ububiko c'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi gukorana umwete kugira ico kigo kibandanye gikora neza kandi gikore ibintu bitandukanye.

Uwaserukiye ishirahamwe PACOBU, GEZGEZ Kasesa , yatanguye gushimira ubwa mbere urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi kubona rwarizeye iryo shirahamwe kugira ritange ibikoresho bigezweho mur'ico kigo , Ariko , ati ivyo bikoresho bitegerezwa kubungwabungwa kugira bikore neza. Yaciye amenyesha ko abahinga bo mur'iryo shirahamwe PACOBU



Ikigo gishasha ca gisirikare gisohora ibitabu gifise akamaro ntangere

bazokwama bari hafi kugira bafashe abakora mur'ico kigo ari nk'ikibazo c'ubuhinga gishitse.

**Maj SERGE NGEZAHAYO**

# Ishure ECC rirafasha kugira ngo abasirikare barangurane ubumenyi akazi bajejwe

***Kw'igenekerezo rya 5 nzero 2024, ishure ryigisha gutwara ikompanyi (ECC) ryaratunganije ibirori vy'itangwa ry'impapuro ndangizanyigisho ku ntwazangabo 48 zigira umugwi w'icenda mu rukurikirane rw'intwazangabo zimaze kwiga iryo shure. Ivyo birori bikaba vyatewe iteka n'icegera c'uwurongoye urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi (FDNB), Riyetena Jenerari Habimana Jean Paul. Umwimbu ukaba wabaye ibice ijana kw'ijana.***

Ishure ryigisha gutwara ikompanyi ni rimwe mu mashure Urwego FDNB rwashizeho kugira ngo ryigishe abasirikare kugira ngo barangurane ubumenyi akazi bajejwe. Iryo shure rikaba ryigisha intwazangabo zifise ipete rya kapitene gushika kw'ipete rya Majoro kugira ngo babaronse ubumenyi n'ubuhinga bwo kurongora neza ingabo hamwe n'ukurangura uko bitegerejwe amabanga yandi ya gisirikare.

Mu gihe co kuronsa impapuro ndangizanyigisho ku ntwazangabo zari zirangije inyigisho, icegera c'uwurongoyte urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi, Riyetena Jenerari Habimana Jean Paul, yamenyesheje ko urwego FDNB rwashize imbere ukuronsa ubumenyi abarugize kandi intambwe urwo rwego rushitseko ikaba ishimishije. Ati : « Uyu munsi uburongozi bw'urwego FDNB burashima cane inguvu zikoreshwa n'abigisha mw'ishure ryigisha gutwara ikompanyi bo bitanze kugira ngo urwego FDNB rushike ku migambi yarwo ».


*Abarangije inyigisho basabwa gushira mu ngiro ivyo bize*

**Abarangije inyigisho bahamagarigwa gukoresha ubumenyi baronkejwe mu kazi kabo**

Icegera c'uwurongoye urwego FDNB yaboneyeho akaryo ko gukeza abarangije inyigisho bo mu mugwi ugira icenda mu rukurikirane rw'intwazangabo zize mw'ishure ryigisha gutwara ikompanyi ku mwimbu mwiza baronse.


*Intwazangabo 48 zararonkejwe impapuro zirangiza inyigisho*

Ati : « Kubw'ubumenyi mwaronse mu gihe mwariko murakurikirana inyigihso, ubu murafise umushinge ukomeye uzobafasha kurongora ingabo canke kurangura amabanga yose muzoba muhamagariwe gukora. Murafise ubushobozi bwo kubona kure, mu gutorera inyishu irama ingorane z'akazi muhuye nazo hamwe no gutanga amategeko atahuritse kandi yumvikana ». Yabandanije abamenyesha ko ubumenyi baronkejwe butegerezwa kujana n'ibikorwa vyo ku rubuga hamwe no gukurikiza amarangamutima y'urwego FDNB ari yo indero ya gisirikare, ugufatana mu nda, ugukunda igihugu, ukubahiriza amategeko hamwe n'ukurangurana ubumenyi bukwiye umwuga wa gisirikare.

**Ukugwanira hasi n'ugunganya ibikorwa vyo muma biro nivyo inyigisho zari zishimikiyeko**

Kubw'uwurongoye ishure ryigisha gutwara ikompanyi, Riyetena Koroneri Nsengiyumva Venuste, inyigisho zigabuye mu mice ibiri uw'inyigisho zijanye n'ukugwanira hasi hamwe nizijanye n'itunganywa ry'ibikorwa vyo muma biro. Umuce wose ugizwe n'ivyigwa vyo mw'ishure, ivyo navyo bikunganirwa n'imyimenyerezo yo ku rubuga. Yarabandanije amenyesha ko intwazangabo zirangije ivyigwa ko ubu zishoboye kwihweza neza ibibazo vyose bijanye n'umutekano, kubitorera inyishu irama, gutegura amategeko atomoye ajanye n'ibikorwa vy'intambara hamwe n'ibisabwa vyose bikenewe hisunzwe ubuhinga bw'ugukorera hamwe, n'ukubahiriza amategeko mpuzamakungu akingira agateka ka zina muntu mu gihe c'intambara. Yarongeye arashimira uburongozi bw'urwego FDNB bo bitanga kugira ngo borohereze itangwa ry'inyigisho muri iryo shure. Ati : « Turashima cane ukwitanga kw'abigisha hamwe n'itangwa ry'uburyo bwose bukenewe kugira ngo inyigisho zigende neza. »

Abaronkejwe inyigisho twaganiriye barashima cane ubumenyi baronkejwe kandi bemeza ko ubwo bumenyi buzobafasha mukurangura akazi uburongozi bwa gisirikare buzobashinga.

***Maj ALICE NGENZEBUHORO***

# ATMIS iritwararitse abanyagihugu ba Somaliya

***Ikontenja y'Uburundi ya ATMIS ifatanije n'indongozi za reta ya Hirshabelle yaracungereye umutekano mu gihe c'itangwa ry'imfashanyo ku banyagihugu bateshejwe izabo bavuye mu burere butandukanye bw'iyo reta mu ntango z'ukwezi kwa Nzero mu mwaka w'i 2024.***

Mu ntumbero yo gushigikira abanyagihugu ba Somaliya bari mu bihe bigoye bitewe n'intambara hamwe n'ihindagurika ry'ibihe,ATMIS ishigikiwe na reta y'Ubutaliyano yaratanze imfashanyo y'ibifungurwa ku miryango ibangamiwe kurusha iyindi. Iyo mfashanyo ikaba yarigizwe n'umuceri,ifu,ingano,isukari,ibiharage hamwe n'amavuta hamwe n'imfashanyo y'ibikoresho vya nkenerwa mu miryango nk'ivy'ukwifuka, ibikoresho vyo gutwaramwo ibintu,imisegetera n'ibindi.



*Ishikirizwa ry'imfashanyo igenewe abenegihugu batishoboye i Johwari*

Jenerali majoro Jean Claude Niyiburana arongoye ikontenja y'abarundi ya ATMIS akaba ari nawe yaserukiye ATMIS mw'itangwa ry'iyo mfashanyo i Jowhar Air Field yarakeje uburongozi bw'ako karere kuba bwarafashije mw'ishirwa mu ngiro ry'ico gikorwa kugira ngo abahuye n'imyuzurira y'imvura yononye vyinshi baronke ubufasha. Yabwiye abari aho ati: «Uyumunsi dutanguye igikorwa co gutanga imfashanyo z'ibifungurwa n'ibikoresho vyatanzwe na ATMIS kugira dufashe abanyagihugu bageramiwe bo mu burere bwa reta ya Hirshabelle. Ico gikorwa kizobandanya mu makambi atandandu y'abateshejwe izabo.

Yaremereye abari aho ko ATMIS izobandanya ikorana na reta ya Somaliya mbere n'uburongozi bwo hasi kugira abanyagihugu bashikiwe n'ibiza vy'isibe bitabweho.



*Abaronkejwe imfashanyo vyarabashimishije*

Ku rundi ruhande, icegera c'uwurongoye ubushikiranganij bujejwe gutabara imbabare n'uguhangana n'ibiza vy'isibe muri reta ya Hirshabelle Omar Mohamed Gaabow yarakengurutse cane iyo mfashanyco y'ibifungurwa n'ibikoresho vya nkenerwa arongera arakeza ATMIS na reta y'Ubutaliyano ukuntu bashigikira abanyagihugu ba Somaliya. Yarongeye abwira abari aho ati « Imiryango ironkejwe iyo mfashanyo nimiburiburi igera ku majana atandatu (600); muri iyo harimwo imiryango ijana na mirongo itanu (150) y'ikambi y'abateshejwe izabo y'i Towfik hamwe n'imiryango amajana ane na mirongo itanu(450) yo mu makambi y'abateshejwe izabo y'i Jowhar Town»

Muawiya Osman Omar ,yaserukiye abaronkejwe izo mfashanyo yarakengurukiye abagize ico baterera mu kugarukira ku bahuye n'ikiza c'imyuzurira y'imvura El Nino.Yavuze ati: « Turashimiye bivuye ku mutima uburongozi bwa reta ya Hirshabelle na ATMIS kuba bwaturonkeje iyi mfashanyo. Ivyo dukeneye ni vyishi ariko turakengurutse ku mfashanyo ishitse hageze.

Imyuzurira itewe n'imvura El Nino yononye ibintu vyinshi mu karere ka Hirshabelle itesha izabo abantu, isambura inyubakwa mbere ituma amabarabara makuru makuru acika. Abantu bababa umuriyoni umwe n'inusu (1.500.000) barateshejwe izabo abarenga ijana (100) barahaburira ubuzima.

***Maj NDAYISABA ROGER***

# Gushigikira abanya centrafrika mu bikorwa bitandukanye ni umwitwarariko w'ingabo z'Uburundi ziri muri ico gihugu

*I kontenja y'Uburundi igira 8 iri mu butumwa bw'amahoro mu gihugu ca Afirika yo hagati(Centrafrique) mu rwego rwa Minusca rwaraheraheje inyubakwa y'igipolisi c'i Dekoa mu ntumbero yo gushigikira abanyagihugu bo muri ako karere. Iyo kontenja yarubatse kandi muri iyo ntumbero nyene ibiraro bibiri i Guiffa hamwe n'i Kpaya.*

Iruhande y'ibikorwa vyo gukingira umutekano w'abanyagihugu ba centrafrika hamwe n'abakozi b'ishirahamwe mpuzamakungu ONU, ingabo z'Uburundi zo mw'ikontenja y'8 yo mu rwego rwa Minusca ziri mu gihugu ca centrafrika zirafasha abanyagihugu bo muri ico gihugu zibicishije mu bikorwa bitandukanye vy'igisata c'ikontenja y'8 kijejejwe imigenderanire y'abasirikare kugirango inyamiramabi zikenewe mu vyo kugarukana no gukingira umutekano hakurikijwe amategeko zironke aho zikorera hakwiye. Ni muri iyo ntumbero ikontenja y'8, ibifashijwemo na Minusca, yatanze intererano y'ayo mu guheraheza kwubaka inyubakwa y'igiporisi yari imaze igihe yaranse kwuzura izofasha inyamiramabi gukingira ata gahonzi abanyagihugu. Nabana Dimanche François arongoye i komine ya Dekoa yarashimye cane préfecture ya Kemo avuga ko yashimishijwe n'izo nyubakwa hamwe n'izindi ntererano z'ikontenja y'8, yo, kuva ishitse mu gihugu ca Centrafrika idahengeshanya gutanga intererano yayo mu bijanye n'iterambere hamwe no kugarukana amahoro ku neza y'abanyagigu ba Centrafrika. Yarongeye avuga ko utwo twigoro twose tw'ikontenja y'8 tugaragaza umubano



*Isanurwa ry'ikiraro c'i Guiffa muri Centrafrika*

n'abanyagihugu.

Iyo mfashanyo iraterera bimwe biboneka mu bijanye no gukomeza umutekano hamwe n'iterazambere ry'abanyagihugu.

**Inyubakwa y'igiporisi yarubatswe kugirango ifashe abanyagihugu b'i Dekoa**

Muri sous-préfecture ya Dekoa harangwa kenshi umutekano muke ku mabarabara yaho uvuye ku busuma hamwe n'ayandi matati hagati y'abahaba. Ubwo bugizi bwa nabi butuma hama umutekano muke ku buryo ari nkenerwa ko haboneka inyamiramabi zikingira abanyagihugu zikongera zigahana hisunzwe amategeko abagizi ba nabi.

Muri ako karere, ama biro yo gukoreramwo imirimo y'igiporisi bigaragara ko ari make, vyabaye nkenerwa ko hubakwa inyubakwa y'igiporisi ikwije ibisabwa ico gikorwa caranguwe n'abasirikare b'abarundi, agirako amenyesha ko iyo nyubakwa izofasha bimwe biboneka inyamiramabi kwongereza uburyo bujanye no gukingira umutekano w'abanyagihugu.

**Ibiraro bibiri bituma uruja n'uruza rugenda neza vyarasanuwe**

Muri urwo rukurikirane rw'ibikorwa bifise intumbero yo gukomeza ukubaho neza no gutera imbere vy'abanyagihugu ba Centrafrika, ikontenja y'8 yarasanuye ibiraro bibiri, kimwe c'i Guiffa muri sous-préfecture ya Dekoa hamwe n'ic'i Kpaya muri sous-préfecture ya Ndjoukou ibifashijwemwo na Minusca yatanze uburyo. Intumbero y'isanurwa ry'ivyo biraro ijanye n'ukworosha uruja n'uruza rw'abantu n'ibintu. Isanurwa ry'ivyo biraro bizokworohereza kandi abajejwe umutekano gutabara ningonga abanyagihugu ico cose coshaka kubahungabaniriza umutekano.

Gahoro Georgette Lydie asanzwe arongoye mwiza uri hagati y'abanya centrafrika n'abasirikare b'ikontenja y'8.

Kuva kontenja y'Uburundi igira 8 irungitswe mu gihugu ca Centrafrika muri munyonyo 2022, yagumye yitwararika gufasha abanyagihugu baho mu buryo butandukanye. Yararonkeje amazi meza abari bayakeneye gusumba abandi. Yaravuye yongera iratanga imiti ku bagwayi batagira amikoro yo kwirihira. Ikontenja y'Uburundi yaratanguje kandi umugambi wo kurima no kugwiza ibiyoba mw'ishirahamwe ryitwa Londombilondo ry'i Sibut. Iyo kontenja yaratanze kandi ibikoresho vy'ishure ku banyeshure batishoboye.

***Maj ANATOLE CIZA***

# Uruhara rw'intwazangabo ni ntasubirizwa

*Umukuru w'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi, Jenerari Prime Niyongabo yaragirishije inama abanyeshure mirongo umunani na bane (84) bahejeje inyigisho zo mw'ishure kaminuza ry'intwazangabo mu ntwaramiheto z'Uburundi. Izo ntwazangabo nshasha zikaba zakurikiranye ivyigwa kuri iryo shure hamwe no mu makungu.*

Imbere y'uko baja iyo barungitswe gukorera umwuga wa gisirikare, umukuru w' urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi yama uko umwaka utashe yishikira mw'ishure kaminuza ry'intwazangabo mu ntwaramiheto ntirushobora gukora neza. Yahanuye izo ntwazangabo nshasha ko zokwigenza neza muri ico kiringo co kwimenyereza bagiyemwo mu makambi kuko bazoraba ingene bigenjeje mu kugaruka kurahira kumugaragaro. mu ntwaramiheto z'Uburundi Jenerari de Birigade Baratuza Gaspard yamenyesheje mw'ijambo ryiwe ko intwazangabo zari muri iyo nama zigize umugwi wa 48



**Jenerari Prime Niyongabo atekerera impanuro abarangije amashure ya Kaminuza**

Iscam kugira atekerere impanuro abarangije iryo shure ry'intwazangabo. Izo mpanuro zikazofasha izo ntwazangabo nshasha gutwara neza abasirikare bajejwe. Yaribukije izo ntwazangabo zirangije amashure ya kaminuza ko ivyo bize mw'ishure bagiye kubishira mu ngiro mu makambi barungitswemwo.

Jenerari Prime Niyongabo yaragarutse cane ku ruhara rw'intwanzangabo mu gisirikare c'igihugu muri rusangi na cane cane ku rwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi. Kubw'iwe intwazangabo igereranywa Yaboneyeho akanya ko kubibutsa ko intwanzangabo kugira itangure akazi kayo nyezina ibanza kurahira imbere y'umukuru w'igihugu c'Uburundi akaba na kizigenza mu nzego z'ukwivuna abansi n'iz'umutekano. Mu gusozera uwo mubonano, Jenerari Prime Niyongabo yaragarutse ku nkingi zitanu ngenderwako ku musirikare wese wo mu rwego FDNB na cane cane intwazangabo kuko nizo zitegerezwa kubera abandi akarorero. Izo nkingi nazo akaba ari indero ya gisirikare, ugukunda igihugu, ugukora wubahiriza amategeko y'igihugu, ugufatana w'intwazangabo zikaba zihejeje kurangiza inyigisho baronswa imbere yo kuja ku rubuga hamwe n'intwazangabo zihejeje gukarihirizwa ubwenge mu mugwi ugira mirongw'ibiri *(20)*. Abagize umugwi ugira mirongw'ibiri *(20)* bakarihirijwe ubwenge akaba ari abahora mu nyigisho mu bindi bihugu nk'Uburusiya, Kenya hamwe no mu gihugu ca Egypte. Uwurongoye Kaminuza mu ntwaramiheto akaba yamenyesheje ko inyigisho zitandukanye izo ntwazangabo zaronkejwe zizofasha cane kugira urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi rushike



**Intwazangabo igereranywa n'ubwonko bw'umuntu mu rwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi**

n'ubwonko bw'umuntu, iyo bugize ikibazo umubiri wose ntaco uba ukimaze. Nico kimwe no mu rwego rwa gisirikare, iyo intwazangabo itariko irangura neza akazi ijejwe, urwo rwego mu nda hamwe n'ukumenya neza ibijanye n'umwuga w'igisirikare.

Uwurongoye ishure kaminuza ry'intwazangabo kuri rya hangiro ry'uko abarugize bamenya neza ibijanye n'umwuga wa gisirikare.

***Maj NININAHAZWE JMV***

# Ubushikiranganji bw'ukwivuna abansi n'ukwitaho abahoze ku rugamba buritayeho ukubaho neza kw'abahoze ku rugamba.

***Ubushikiranganji bw'ukwivuna abansi n'ukwitaho abahoze ku rugamba rubicishije ku buyobozi bukuru bujejwe abahoze ku rugamba bwaratanze inkwavu amajana umunani na mirongo ine (840) ku bahoze ku rugamba amajana abiri na mirongo umunani (280) bo muri zone Bandaga , komine Matongo mu ntara ya Kayanza kw'igenekerezo rya 05 nzero 2024. Ubuyobozi bukuru bujejwe gukurikirana abahoze ku rugamba bwaratanze kandi imizinga y'inzuki mirongo icenda (90) n'ibikoresho vyo guhingura ubuki ku bahoze ku rugamba bahurikiye mw'ishirahamwe ryo kwiteza imbere ry'abamugariye ku rugamba ry'i Zege mu ntara ya Gitega (CDHZ).***

Mu ntumbero y'ukwitwararika ukubaho neza kw'abahoze ku rugamba eka mbere no kubafata mu mugongo mu bikorwa vy'iterambere, ubushikiranganji bw'ukwivuna abansi n'ukwitaho abahoze ku rugamba rubicishije ku buyobozi bukuru bujejwe gukurikirana abahoze ku rugamba, buriko burafasha abo bahoze ku rugamba mu migambi itandukanye yo kwiteza imbere. Nico gituma kw'igenekerezo rya gatanu nzero 2024, ubuyobozi bukuru bujejwe gukurikirana abahoze ku rugamba bwatanze inkwavu amajana umunani na mirongo ine (840) ku bahoze ku rugamba amajana abiri na mirongo umunani (280) bo muri zone Bandaga , komine Matongo iri mu ntara ya Kayanza bahurikiye muri koperative Jimbere.



*Umugambi uzotuma abahoze ku rugamba baharonkera akarusho*

Koroneri Nibizi Emmanuel yari yaserukiye ubuyobozi bukuru bujejwe gukurikirana abahoze ku rugamba , yamenyesheje ko itangwa ry'izo nkwavu ku bahoze ku rugamba , biri muri wa mugambi, umukuru w'igihugu yatera akamo abarundi bose kwijukira kworora ico gitungwa, aho asaba ko urugo rwose rwokorora n'imiburiburi inkwavu zitanu. Koroneri Nibizi yasavye abo bahoze ku rugamba bagabanye izo nkwavu , gukura amaboko mu mpuzu bagwize umwimbu , ati , igitungwa c'urukwavu kigwira ningoga, acabasaba kwijukira kandi ibikorwa vy'uburimyi n'ubworozi.

Manirakiza Molaire, arongoye koperative jimbere rihurikiyemwo abahoze ku rugamba bo muri zone Bandaga , komine Matongo , hamwe n'abo baronkejwe inkwavu barakenguruka bimwe bivuye ku mutima ingabire baronkejwe n'ubushikiranganji bw'ukwivuna abansi n'ukwitaho abahoze ku rugamba. Barasaba ariko ko itegeko rishasha rigenga abahoze ku rugamba ryoja mu ngiro.



*Abaronkejwe inkwavu barakenguruka*

Kw'igenekerezo rya 17 nzero 2024 naho , ubushikiranganji bw'ukwivuna abansi n'ukwitaho abahoze ku rugamba rubicishije kandi ku buyobozi bukuru bujejwe gukurikirana abahoze ku rugamba, bwaratanze imizinga y'inzuki mirongo icenda (90) n'ibikoresho vyo guhingura ubuki ku bahoze ku rugamba bahurikiye muri koperative yo kwiteza imbere y'abamugariye ku rugamba y'i Zege mu ntara ya Gitega. Koroneri Nzohabonimana Oscar, umuyobozi mukuru ajejwe gukurikirana abahoze ku rugamba, yamenyesheje ko iyo mfashanyo ku bahoze ku rugamba , biri muri ya politike y'ubushikiranganji bw'ukwivuna abansi n'ukwitaho abahoze ku rugamba yo gufata mu mungongo abahoze ku rugamba bahurikiye mu ma koperative yo kwiteza imbere. Yamenyesheje ko abahoze ku rugamba bari i Zege i Gitega bahisemwo ubworozi bw'inzuki. Yaciye amenyesha ko ubushikiranganji bw'ukwivuna abansi n'ukwitaho abahoze ku rugamba buzokwama na ntaryo bushigkira abahoze ku rugamba igihe cose bizoba bikenewe. Aramenyesha kandi ko ataco butazokora kugira bubashigikire mu ntumbero y'ukubaho neza kwabo. Yabasavye kwama na ntaryo bafatanye mu nda , bakitanga umwe wese muco ashoboye mu guterera mu bikorwa vy'iterambere kugira dushike kuri ya Mbono ya kazoza ya Leta y'Uburundi, aho Uburundi buzoba ari igihugu cifashe mu 2040 , hama giteye imbere mu 2060.

Kubwa Manirakiza Gaspard, arongoye koperative y'ukwiteza imbere ihurikiyemwo abamugariye ku rugamba b'i Zege mu ntara ya Gitega, umugambi w'ukworora inzuki uzanye akarusho kurabo bahoze ku rugamba, Yaciye ahamagarira abo bamugariye ku rugamba ko uwo mugambi bowugira uwabo kugira uzobateze imbere.

***Maj SERGE NGEZAHAYO***

# Imico n'akaranga birafasha mu guteza imbere ubumwe n'umutekano

***Ishure kaminuza ryo gutwara no gutunganya ivyerekeye ingabo ryaratunganije kw'igenekerezo rya 19 nzero 2024 umunsi wahariwe imico n'akaranga. Iryo shure rikaba riri mu Kinanira muri Komine ya Muha.***

Uko habaye umwaka w'inyigisho,ishure kaminuza ryo gutwara no gutunganya ivyerekeye ingabo riratunganya kuri iryo shure umunsi wahariwe imico n'akaranga. Icivugo c'uno mwaka kikaba cavuga kiti:"Duhe agaciro imico n'akaranga vyacu mu guteza imbere ivy'umutekano n'ubumwe." Ibirori vy'uwo munsi bikaba vyari vyatewe iteka n'umukuru w'igisata c'inyigisho mu biro bikuru vy'Urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi, Jenerari de Brigade Niyungeko Léonidas.Uwo munsi watunganijwe habanje kuba iminsi ibiri yahariwe kubanza kwerekana neza ingene imico n'akaranga bifasha muvy'umutekano, ubutunzi hamwe n'ubumwe. Intwazangabo ziga kuri iryo shure zituruka mu bihugu bitanu bararonse akaryo ko kumenyekanisha ibihugu vyabo muri iyo minsi ibiri.Mw'ijambo ryiwe,uwurongoye ishure kaminuza ryo gutwara no gutunganya ivyerekeye ingabo ,ESCEM mu mpfunyapfunyo y'igifaransa, Jenerari de Brigade Nibayubahe Nestor yamenyesheje ko imico ifise ikibanza gikomeye mu guteza imbere umutekano n'ubumwe mu bantu.Yamenyesheje ko kumenya imico y'uwundi bifasha mu mubano mwiza hagati y'abanyeshure biga kuri iryo shure. Jenerari de Brigade Nibayubahe Nestor yamenyesheje kandi ko ivyo kumenya imico n'akaranga bifasha cane intwazangabo zihejeje kuri iryo shure iyo bagiye mu butumwa bwo kugarukana amahoro kuko usanga bategerezwa gukorana n'abantu bafise imico itandukanye. Intwazangabo z'abanyeshure zarerekanye ibifungurwa n'ibintu vyinshi bitandukanye.

Ibirori vy'uwo munsi vyaranzwe n'ihayanishwa ry'ibifungurwa ,ibinyobwa kavukire hamwe n'ibiva mu mahinguriro,impuzu hamwe n'utundi tugenegene. Izo ntwazangabo ziga kuri iryo shure zikaba zarateramishije abaraho mu gutamba intambo za kera. Intwazangabo z' Uburundi zikaba zari zigabuye mu ntara zine uhereye kuzo mu burengero, mu buraruko, izo hagati hamwe n'izo mu bumanuko bushira ubuseruko. Barashoboye kwerekana intambo ziranga intara iyo ariyo yose. Umutumire w'iteka n'abandi batumire bahavuye baronswa akanya ko kugendura ivy'igihugu cose cerekanye. Iryo shure rya ESCEM rikaba rifise abanyeshure baturuka mu bihugu bitanu arivyo Uburundi, Kenya, Uganda, Tanzaniya hamwe n'igihugu ca Afurika y'epfo. Abakorera mu buserukizi bw'ibihugu vyabo mu Burundi bajejwe ivya gisirikare bari batumiwe muri ivyo birori uhereye kuwa Leta zunze ubumwe za Amerika, ingoma y'Ububiligi, Ubufaransa n'ibindi.



*Umunsi wahariwe imico kama muri ESCEM urafasha kumenya imico y'ahandi*



*Ihayanishwa ry'ibikoresho n'ibifungurwa mu kigo ESCEM*

***Maj JMV NININAHAZWE***

# Abarangije inyigisho bahamagarigwa kugumana inyota y'ukwiga

***Abasirikare 40 biga mw'ishure ry'igisirikare ry'igisha ivy'ubu foroma bararonse impapuro z'umutsindo kw'igenekerezo rya 5 nzero 2024, inyuma y'inyigisho zamaze ukwezi zerekeye kwikingira n'ukuvura umugera wa Sida, hamwe n'ukurondoka bijanye n'amagara meza. Izo nyigisho zatunganijwe n'igisata kijejwe amagara y'abantu mu Rwego rw'ukwivuna abansi rw Uburundi gifashanije na PSI Burundi.***

Mu ntumbero y'ibikorwa shingiro vy'igisata kijejwe amagara y'abantu mu rwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi mu vyerekeye inyigisho zongereza ubumenyi, abasirikare 40 bo mu mwaka wa kabiri mw'ishure ryigisha ivy'ubu foroma, barize mu kiringo c'ukwezi ivyerekeye gukinga umugera wa Sida n'izindi nyigisho bijanye.

Ku munsi w'ugutanga impapuro z'umutsindo, umukuru w'igisata kijejwe amagara y'abantu mu rwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi Liyetena Koroneri Nizigama Désiré yarashimiye abarongoye urwego r'ukwivuna abansi, rwama na ntaryo rushigikira igisata c'amagara y'abantu mu kukironsa inyigisho zitandukanye. Yarashimiye na Reta ya Amerika ku ntererano zayo zitandukanye. « Kw'izina ry'uburongozi bw'ugwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi no kw'izina ryanje nyene, ndashimiye Reta ya Amerika, ku kuntu, ibicishije kuri PSI Burundi, idahengeshanya kwigisha abagize urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi. Imfashanyo zayo zitandukanye zirimwo inyigisho n'ibikoresho, bituma dushimira cane Reta zunze ubumwe za Amerika twongera dushima n'ugukorana neza kuri hagati ya PSI Burundi n'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi ».

Liyetena Koroneri Nizigama Désiré yaranashimiye abarongoye ishure hamwe n'ababafasha, ko bakoze ibishoboka vyose kugira inyigisho zigende neza. Yarakeje n'abahejeje izo nyigisho ku kugene biganye umwete banagendera indero ya gisirikare, araheza arabatera intege kugira baze bame barangwa n'iyo ngendo.Yabahamagariye gukoresha ubumenyi bakuye muri izo nyigisho mu gufasha abasirikare b'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi bakorera mu mihingo itandukanye, harimwo no mu makungu. Yaciye abatumirira kutarambirwa n'ukwiga, ahubwo bagumane ishaka ry'ukurondera ubumenyi. « Mwaragize tombora muronka izi nyigisho imbere y'uguheza amashure y'ubuvuzi, n'izindi nyigisho zigiye kubandanya, PSI Burundi ibidufashijemwo. Mwame mwiteguye kungura ubumenyi » ; nk'uko yabishikirije.

Uwuserukira PSI Burundi, Muganga Juma Ndereye, yamenyesheje ko ari igikorwa c'iteka kuronka abasirikare 40, guhera ubu bashoboye gufasha mu vy'ugukingira abantu umugera wa Sida, bagafasha abagize urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi hamwe n'abenegihugu basanzwe basangiye imirimo itandukanye. Na wene arashima imigenderanire iri hagati ya PSI Burundi n'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi. Aranashimira reta ya Amerika, yo iha PSI Burundi uburyo bukenewe kugira itange izo nyigisho.



*Imigenderanire hagati y'igisirikare na PSI Burundi yifashe neza*

Mu vyigwa vyatanzwe muri izo nyigisho, harimwo gufasha abantu kw'irinda kwandura umugera wa Sida mu bibanza bagwariramwo nko mu bitaro, uburyo uwo mugera wandukira n'uburyo bw'ukuwukinga, ibimenyetso n'ingene imiti ivura umugera wa Sida ikoreshwa.



*Abaforoma mirongw'ine bo kuri EPMM bararonkejwe impapuro zirangiza inyigisho*

***Lt-Col EMMANUEL GAHONGANO***

# Igice kigira kabiri c'igabanywa ry'abasirikare cagenze neza

***Ikontenja ya 15 y'abasirikare b'abarundi bari mu butumwa bwo kugarukana amahoro n'umutekano mu gihugu ca Somaliya mu rwego ATMIS yaratanguye ishirwa mu ngiro ry'igice kigira kabiri c'igabanywa ry'ingabo za ATMIS kuva kw'igenekerezo rya 17 Nyakanga mu mwaka w'i 2023. Ikaba yaciye ishira mu minwe y'abasirikare ba Reta ya Somaliya ibirindiro bitatu arivyo Biocadale,Ragaceel na Quolilow. Iryo gabanywa rikaba ryashizwe mu ngiro mu ntumbero y'ibwirizwa inomero 2710 ry'inama ijejwe kwubahiriza amahoro n' umutekano y'ishirahamwe mpuzamakungu ONU.***

Kuva ishingwa kw'igenekerezo rya 1 Ndamukiza mu mwaka w'i 2022, ATMIS yahawe igikorwa nyamukuru co guhereza bukebuke igikorwa co guhagararira umutekano abajejwe umutekano w'igihu-



*Ishigwa mu ngiro ry'itegeko 2710 rya ONU*

gu ca Somaliya gushika kw'igenekerezo rya 31 Kigarama mu mwaka w'i 2024 hambavu y'ibindi bikorwa bitandukanye. Mu ntumbero y'ibwirizwa inomero 2710 (2023) y'inama ijejwe kwubahiriza amahoro n'umutekano y'ishirahamwe mpuzamakungu ONU, ATMIS yasabwe gushira mu ngiro igice kigira kabiri c'igabanywa ry'ingabo ibihumbi bitatu (3.000) bitarenze kw'igenekerezo rya 31 Kigarama mu mwaka w'i 2023. Muri abo ab'ikontenja y'abarundi bakaba ari 734.



*Gushikiriza ku mugaragaro ibirindiro vya Ragaceel na Quolilow*

Ni muri iyo ntumbero iyo Kontenja yasubije ku mugaragaro mu minwe y'abasirikare ba reta ya Somaliya ikirindiro ca Biocadale kw'igenekerezo rya 17 Nyakanga, Ragaceel kurya 18 Gitugutu na Quolilow kurya 20 Kigarama mu mwaka w'i 2023. Ivyo birindiro biherereye mu karere ka Midlle Shabelle muri reta ya Hirshabelle bikaba vyaragize uruhara ruhambaye mu bikorwa vyo kurwanya umurwi w'iterabwoba Al-Shabaab, gutyo umutekano ugenda wiyongera muri ako karere.

Igihe yariko asubiza ikirindiro c'i Biocadal Riyetena-Koroneri Philipe Butoyi arongoye ibatayo ya 71 y'abasirikare b'abarundi, kw'izina ry'uburongozi bw'iyo Kontenja yaramenyesheje ko ishikirizwa ry'ico kirindiro rigaragaza uburongozi bwiza bwa reta ya Somaliya mu gusubira gusanasana igihugu ,gukingira abanyagihugu n'umwitwarariko w'umutekano n'ituze mu gihugu. Riyetena Koroneri Butoyi yongeye ati: « Twariboneye ugutera intambwe ku rubuga rw'intambara aho abasirikare ba reta ya Somaliya berekanye ko bariko barisununura mu vyerekeye gucungera igihugu cabo.Twariboneye abajejwe umutekano ba Somaliya bagaba ibitero, bakigarurira uburere bakanabugumya »

Riyetena Koroneri Jean Baptiste Nahishakiye yararongoye ibatayo ya 68 yari muri ubwo butumwa akaba ari nawe yaserukiye iyo Kontenja mw'isubizwa ry'ibirindiro vya Ragaceel na Quolilow na we yabwiye abari aho ko isubizwa ry'ivyo birindiro ari intambwe idasanzwe haba ku ruhande rwa ATMIS no ku rwa Somaliya. Yarongeye ati: « Nkuko turiko turasubiza ibi birindiro ku bajejwe umutekano b'igihugu ca Somaliya, ndizera ntakekeranya ko bazokingira mbere bakarwanira umutekano n'uburenganzira bw'abanyagihugu ba Somaliya. Yabahanuye kubandanya bakorana n'abandi bajejwe umutekano mbere n'abanyagihugu bo muri ako karere.

Mw'isubizwa ry'ikirindiro c'i Biocadale,uwaserukiye abajejwe umutekano ba reta ya Somaliya na we yarashimiye abasirikare b'abarundi ku ndero no ku bwitange berekanye mu gucungera umutekano w'akarere ka Reta ya Hirshabelle. Yamenyesheje ati: «Mwaratanze amagara yanyu musesa n'amaraso yanyu mu kurwanya umwansi w'igihugu cacu. Ni ku bwanyu twagize inguvu mbere uyu munsi tukaba tugeze ku rugero rwo gushobora kwifatira mu minwe ibibazo vy'umutekano w'igihugu cacu. » Mu gihe co gusubiza ikirindiro c'i Ragaceel, uwaserukiye abajejwe umutekano ba Somaliya Riyetena Idow Ali Mohamed ntiyibagiye gukeza abasirikare b'abarundi kuba barakoreye hamwe n'abajejwe umutekano ba Somaliya mu kurwanya umurwi w'iterabwoba Al-Shababaab, gutyo akarere kakagenda gatekana. Yarongeye ati: « Uyu munsi ndanezerejwe cane no kuba dushoboye gucungera Ragaceel. Twiyemeje guca mu makanda ya ATMIS mu gutsimbataza amahoro n'umutekano tutibagiye no kubera maso iyubahirizwa ry'uburenganzira bwa kiremwa muntu.

Muri ivyo birori, ibiro vya ONU bijejwe gushigikira ubwo butumwa muri Somaliya, mu gutanga ivya nkenerwa muri ATMIS, vyagiriyeko biha ingabire y'ibikoresho abo basirikare ba Somaliya.Ivyo bikoresho bikaba ari nk'amamashine atanga umuyagankuba, ibikoresho bihingura amazi, ibikoresho bihingura umuyagankuba uva ku mishwarara y'izuba, ibikoresho bijejwe kubika amazi,n'ibindi.

Mu gice ca mbere c'igabanywa ry'izo ngabo carangiye kw'igenekerezo rya 30 Ruheshi mu mwaka w'i 2023, ATMIS yasabwe kugabanya abasirikare 2000 muri abo, abashika 650 bakaba bavuye mw'ikontenja y'Uburundi aho yaciye isubiza ibirindiro bitatu ari vyo : Mirtigo,Cadale na Xiajicali.

***Capt MELCHIADE NIYINDAGIRIRA***

# Gutsimbataza imigenderanire hagati y'abasirikare n'abanyagihugu mu kwinonora imitsi

*Igisata kijejwe imigenderanire hagati y'abasirikare n'abanyagihugu mw'ikontenja y'Uburundi ya ATMIS ifise icicaro i Jowhar Air Field carateguye urukino rw'umupira w'amaguru hagati y'umurwi w'iyo Kontenja (yambaye imayo zitukura) hamwe n'uw'ikambi y'abateshejwe izabo y'i Towfik (yambaye imayo z'ibara ry'ubururu) mu ntumbero yo gutsimbataza imigenderanire hagati y'abasirikare b'iyo Kontenja n'abo banyagihugu. Urwo rukino rwabereye i Jowhar Airfiled kw'igenekerezo rya 31 Kigarama mu mwaka w'i 2023 aho urukino rwarangiye ari ubusa ku bundi ku migwi yose.*

Mu ntumbero yo gutsimbataza imigenderanire hagati y'abasirikare b'ikontenja y'abarundi n'abanyagihugu bateshejwe izabo begeranirijwe mw'ikambi y'impunzi y'i Towfik, iyo Kontenja yarateganije urukino rw'umupira w'amaguru i Jowhar Air Field. Urwo rukino rwarangiye ku mpande zose ari ubusa ku bundi.



*Inkino zirakomeza imigenderanire hagati y'abasirikare n'abenegihugu ba Somaliya*

Koroneri Michel Ndikuriyo, icegera c'uwurongoye igisata kijejwe imigenderanire hagati y'abasirikare n'abanyagihugu mw'ikontenja ya 15 y'Uburundi ya ATMIS mu karere ka gatanu ka ATMIS yarakengurukiye iyo mirwi ibiri kuba yaritabiriye urwo rukino ashimangira avugako ibikorwa ben'ivyo biterera mu guteza imbere imigenderanire hagati y'abasirikare ba ATMIS n'abanyagihugu. Koroneri Michel Ndikuriyo yarongeye abwira abari aho ati: « Nk'uko mubizi, intumbero yacu ni iyo gukura imibabaro mu mitima y'abanyagihugu mu gihe c'intambara canke inyuma yayo. Kugira tubishikeko tubwirizwa gushiraho tukongera tugashigikira imigenderanire myiza hagati y'abanyagihugu na ATMIS».

Ku bwiwe ibikorwa vyo kunonora imitsi bifise uruhara rudansanzwe mu butumwa bwo kugarukana amahoro n'umutekano, atari mu ntumbero yo guteza imbere ingabire z'abitabiriye ivyo bikorwa gusa ahubwo no guteza imbere indero yabo eka no guteza imbere imigenderanire hagati y'abasirikare n'abanyagihugu.

Issak Ahmed Hussein, uwurongoye umurwi w'abakinyi b'umupira w'amaguru mw'i kambi y'abateshejwe izabo y'i Towfik yabwiye abari aho ko urwo rukino hagati y'umurwi arongoye n'abasirikare ba ATMIS bakorera i Johwar, umurwa mukuru wa reta ya Hirshabelle yararurindiranye igishika cinshi.

Yabwiye abari aho ati: «Twakinye urukino rw'ubucuti rwaduhuje n'abasirikare b'abarundi bakorera muri ATMIS incuro nyishi bavyifashemwo, kuba bashoboye kunaniza abasatirizi, kwinjiza ibitsindo bikabata k'uw'amazi.

Icegera c'umukuru w'ikambi y'abateshejwe izabo y'i Towfik Abdikadir Aden Haji yari asanzwe ari no mu banywanyi b'umurwi w'abateshejwe izabo yarabakeje cane ku butwari n'ishaka ry'ukwinonora imitsi berekanye mu kiringo c'urwo rukino.



*Urukino rwarangiye ari ubusa ku bundi*

Haji yarongeye ati: «Turashimishijwe cane kandi turipfuza kubandanya ibikorwa nk'ibi mu ntumbero yo gutsimbataza imigenderanire y'abasirikare n'abanyagihugu». Yarashimye uko abakinyi b'imbere b'iyo mirwi yompi n'uru rukino rubaye mu gihe turiko turahimbaza umwaka mushasha. »

***Maj ROGER NDAYISABA***